# UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI

***Ryemejwe n'itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991***

**KU GICANIRO N°6/2026.** ***« Ku Gicaniro ni umugambi w'umuhari Iteka ukorera ku bisata mu bisata vyose vy'ubuzima bw'igihugu »***

## *ICEGERANYO C'UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI KIRINGO CA RUSAMA –RUHESHI 2026*







*Uwo uri wese ubahirizwa*

*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 30 Ndamukiza 2026, abantu bashika 874babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n'imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi787ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w' igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero.*

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w'ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n'ibisata 32 ».**

[1]*https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54*


RWANDA
BUJUMBURA
BUTANYERERA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
TANGANYIKA
BURUNGA
DRC
TANZANIA
N
E
S
W

# URUTONDE RW'IBIRIMWO

***IMPFUNYAPFUNYO*** ....................................................................................................4

***I. INCAMAKE KU VYABAYE*** ..........................................................................................5

II.IBISABWA..................................................................................................................9

***III. INTUMBERO Y'ICEGERANYO*** ...................................................................................11

***IV. UBUHINGA BUKORESHWA*** ........................................................................................11

***V. INYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI:***

***Ntwarante-Ndamukiza2026***..............................................................................................12

***V.1._UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*** ...............................................12

***V.1.1._UBURENGANZIRA KU BUZIMA*** ..........................................................................12

***V .1.1.1.UBWICANYI BUTEGUYE*** ...................................................................................12

***V. 1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*** ......................................................15

***V.1.2.UBURENGANZIRA BW' UKUDAKUBAGURWA*** .....................................................17

***V.1.2.1.AMABI YO KUBOREZA IGUFA ,UGUPFUNGA CANKE UGUFATA BUNYAMASWA***

***N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA*** ..................................................................................17

***V.1. 2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU*** .............................................18

***V.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*** ...............................................................18

***V.1.3.1. UGUHAGARIKA HAMWE NO GUPFUNGA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO***...................21

V.1.3.2.UKO BIMEZE MU MABOHERO YO MU BURUNDI...............................................................22

***V.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA .........................................25***

***V.2.1.IHUNGABANA RY'UBUTUNZI....................................................................................25***

***V.2.2.UBURENGANZIRA KU NDERO.....................................................................................25***

***VI. UGUSOZERA*** .........................................................................................................27

## *IMPFUNYAPFUNYO*

**AGNU** : Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe

**DESC** : Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama

**CNL** :*Ihuriro ry'igihugu riharanira ukwidegemvya*

**EU** :Urunani rw'ibihugu vya Buraya

**EAC** : Urunani rwa Afirika yo mu Buseruko

**ECOFO** : Ishure shingiro

**CNDD-FDD** : I*nama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunani rukingira intwaro rusangi*

**M23/AFC** : Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante/ Urunani ruhurira ku nyanja ya Kongo

**FRODEBU** : Urugamba ruharanira demokarasi mu Burundi

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi n'ukwigenga k'u Rwanda

**UPRONA** : *Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu*

**UA** : Ubumwe bwa Afrika

**PNB** : Igipolisi c'igihugu c'u Burundi

**SNR** : Iperereza ry'igihugu

**TGI** : Sentare nkuru

**RDC** : *Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo*

**VBGs** : *Amabi afatiye ku gitsina*

**OPJ** : Inyamiramabi

# I. INCAMAKE

Muri mezi ya Rusama na Ruheshi 2026,Uburundi bwaciiye mu bihe bibabaje birangwa n'ihonyangwa rikabije ry'agateka ka zina muntu ryagirizwa Reta hamwe n'abandi bantu bacuditse cane n'umugambwe uri ku butegetsi.Mu cuka c'ukudahana, abaharanira agateka ka zina muntu,naho babirwanya,biragorana ko bayumvira. Utwigoro bakora mugushira ahabona ayo mabi ni utwubusa uravye akagama ka Reta,yirengagiza akamo iterwa kayikeburira gukoresha ubutungane n'ugukora amatohoza akomeye.Umuhari iteka ,nk'uwakwirikiranye intambwe kuyindi inyifato y'agateka ka zina muntu mu gihugu ku rubuga,waharuye abantu 42 bishwe muri kino kiringo. Iruhande,ukunyuruzwa no kubuza irengero vyarateye amakenga cane,ku ncuro 7 zahitanye abantu 9. Abatavuga rumwe na Reta,abanywanyi b'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike hamwe n'abasirikare bari mu gisirikare bari mukaruhuko ko muza bukuru nibo baguma bahamwa n'abarongozi,bakora ibishoboka cose kugira babuze kuvuga abatabuyoboka bose,bigatuma gutyo bashaka ko umuntu wese yinjira mu mugambwe uri ku butegetsi.

Ivyo bikorwa vyo kuburabuza kenshi bikorwa n'abajejwe umutekano canke akagwi k' imboerakure,zegereye ubutegetsi.

Uko kunyuruza gusiga imiryango mu kangaratete n'umwiheburo,ata nkuru z' ababo.Ico cuka caranaranzwe n' ibikorwa vy'ikubagurwa,umuhari Iteka watohoje abanyurujwe 6 mu ntara ya Gitega,aho incuro 3 zari zaharuwe ,hamwe n'i Burunga,aho abantu 2 bagize ayo makuba,hamwe na Bujumbura ,ku muntu 1 ari mu bahoze ari abasirikare bakukurutse.

Ku rundi ruhande,muri kino kiringo,abantu 21 bakorewe amabi afatiye ku gitsina baratohojwe. Muri abo,abantu 13 barafashwe ku nguvu,muribo abana 10.Intara ya Buruga yaje kw'isonga ku bantu benshi bakorewe amabi nk'ayo bavuzwe,bakwiza incuro 9,hagakwirikira Butanyerera ku ncuro 6,Gitega ku bakorewe amabi 4,na Bujumbura 2.Imbonerakure,hamwe n'abakozi bo muntwaro, hamwe n'abapolisi,barabonetse ahanini nk'abantu bagirizwa ubwo bubisha ahanini.Mu gusozera,umuhari Iteka waranaharuye abantu6 bahagaritswe biciye kubirna amategeko: hakozweko 2 mu ntara ya Burunga na Gitega,hamwe n'1mu ntara za Buhumuza na Bujumbura.

### *Ikigara kivyekerana :*


Ku ncuro 75 zaharuwe hazozwe amabi muri iki kiringo cafatiweko,abantu, 84 bayakorewe

| Aho vyabereye / Intara | Igitiri c'abakoreye amabi | | | | | Bose ham-we |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Uguhagari-kwa | Ukunyuruz wa | Ukuborez-wa igufa | Ubwicanyi | Uguko-rerwa ama-bi afatiye ku gitsins | |
| Buhumuza | 1 | 0 | 0 | 5 | 0 | 6 |
| Bujumbura | 1 | 8 | 1 | 14 | 2 | 26 |
| Burunga | 2 | 0 | 2 | 6 | 9 | 19 |
| Butanyerera | 0 | 1 | 0 | 3 | 6 | 10 |
| Gitega | 2 | 0 | 3 | 14 | 4 | 23 |
| Zose | 6 | 9 | 6 | 42 | 21 | 84 |

Uwo uri wese ubahirizwa

*I. INCAMAKE(Ibikurikira urupapuro 5)*


***Igicapo 1 : Ikigara cerekana amabi hamwe n'iyo arangwa***




Iki kigara cerekana kuri bose incuro 75 ziri mu migwi y'abakoze amabi 8 muri kino kiringo caharuwe.Umuhari Iteka uvuga kandi muri iki cegeranyo amabi yakozwe harimwo amabi menshi yakozwe n'abantu batamenyekanye arimwo menshi nk'amabi afatiye ku gitsina hamwe n'ibiziga vyatowe mu mihingo itandukanye,Imbonerakure hamwe n'abihora . Bujumbura, Burunga na Gitega nizo ntara zakozweko gusumba izindi.

| Abikekwako icaha | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Total |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abaporisi | 0 | 1 | 3 | 1 | 2 | 7 |
| Abatware | 1 | 1 | 1 | 1 | 1 | 5 |
| Abakora iperereza | 0 | 3 | 0 | 0 | 0 | 3 |
| Abandi | 0 | 0 | 5 | 1 | 1 | 7 |
| Abantu batamenyekanye | 4 | 12 | 3 | 3 | 9 | 31 |
| Imbonerakure | 1 | 4 | 4 | 3 | 3 | 15 |
| Abasirikare | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Abihora | 1 | 3 | 4 | 3 | 4 | 15 |
| **Bose hamwe** | **7** | **25** | **20** | **12** | **20** | **84** |

***Igicapo 2 : Igicapo cerekana abagirizwa amabi n'aho yakorewe :***




## *I. RESUME EXECUTIF (Suite de la page 6)*

Ku ncuro 75 zose hakozwe amabi yakoze ku bantu 84 (Igicapo kiri hejuru), incuro1 hagirizwa abasirikare, incuro 7 abaporisi, incuro15 imbonerakure, incuro 31 mu mugwi abandi bataramenyekana hamwe n'abandicas (ubwicanyi bw'abana, ugutwarwa n'uruzi, uburozi) ku ncuro 7, ukwihora incuro 15 , abakozi b'iperereza incuro 3 hamwe n'incuro 5 zagirizwa abatware.

Muri kino cegeranyo, umuhari Iteka urihweza uko bimeze mu mabohero yo mu Burundi muri iki kiringo c'amezi 2, mukwerekana ihonyangwa ry'agateka kazina muntu. Ibiharuro vyatororokanijwe vyerekana,nk'uko bigaragazwa n'ico kigara kiri musi,haragabanutse cane abanyororo hagati ya Rusama na Ruheshi 20026.Igitigiri c'abapfungwa kuri bose caragabanutse kuva kuri 12 980 gishika kuri 12 216, ivyerekana igabanuka rya 764 bangana n'igabanuka rya hafi 5,9 %.Ubushobozi bwo kwakira bw'amabohero buguma buri ku bibanza 4 294 , bisigura ko amabohero abandanya kwakira afi incuro 3 ubushobozi bwabo ubushobozi buzwi.Urugero rw'abapfungwa rwagabanutse 17,79%, urabiye kuri iki kigara :

| Les prisons | Capacité d'acceuil | SITUATION CARCERALE MAI 2026 | | | | SITUATION CARCERALE JUIN 2026 | | | | Variation des taux de Mai à Juin |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Population pénitentielle | Nbre de prévenus | Nbre de Condamnés | Taux d'Occupation | Population pénitentielle | Nbre de prévenus | Nbre de Condamnés | Taux d'Occupation | |
| BUBANZA | 200 | 434 | 214 | 220 | 217,00% | 393 | 177 | 216 | 196,50% | -20,50% |
| BURURI | 250 | 305 | 162 | 143 | 122,00% | 261 | 122 | 139 | 104,40% | -17,60% |
| CMCL RUMONGE | 72 | 97 | 19 | 78 | 134,72% | 90 | 21 | 69 | 125,00% | -9,72% |
| CMCL RUYIGI | 72 | 50 | 11 | 39 | 69,44% | 44 | 9 | 35 | 61,11% | -8,33% |
| GITEGA | 400 | 1456 | 690 | 766 | 364,00% | 1327 | 590 | 737 | 331,75% | -32,25% |
| MPIMBA | 800 | 4230 | 2657 | 1573 | 528,75% | 4125 | 2663 | 1462 | 515,63% | -13,12% |
| MURAMVYA | 100 | 1063 | 428 | 635 | 1063,00% | 827 | 309 | 518 | 827,00% | -236,00% |
| MUYINGA | 300 | 606 | 118 | 488 | 202,00% | 569 | 115 | 454 | 189,67% | -12,33% |
| NGOZI F | 250 | 199 | 77 | 122 | 79,60% | 206 | 84 | 122 | 82,40% | 2,80% |
| NGOZI H | 400 | 1841 | 699 | 1142 | 460,25% | 1807 | 697 | 1110 | 451,75% | -8,50% |
| RUMONGE | 800 | 1471 | 525 | 946 | 183,88% | 1481 | 545 | 936 | 185,13% | 1,25% |
| RUTANA | 350 | 448 | 160 | 288 | 128,00% | 418 | 158 | 260 | 119,43% | -8,57% |
| RUYIGI | 300 | 780 | 333 | 447 | 260,00% | 668 | 265 | 403 | 222,67% | -37,33% |
| TOTAL | 4294 | 12980 | 6093 | 6887 | 302,28% | 12216 | 5755 | 6461 | 284,49% | -17,79% |

*Igicapo 3 : Igicapo cerekana uko abantu bari mw'ibohero*




## *I. INCAMAKE  (Ibikurikira urupapuro 6)*

Kuvyerekeye abapfunzwe bataraburana hamwe n'ababuranye,ibiharuro vyerekana igabanuka ry'igitigiri c' abapfungwa bataraburana cagabanutse kuva kuri 6 093 muri Rusama gushika kuri 5 215 Ruheshi, ivyerekana igabanuka ku bantu 878, bingana na 14,4 %. Iryo gabanuka ni rinini gusumba iryabonetse kubamaze gukatirwa,igishobora gusigura ko imanza ziri mu  butungane ziriko zinyaruka,ukuja mu mwiherero  vyihuta canke izindi ngingo zigamije   kugabanura abanyororo mu mabohero.

Igitigiri c'abakatiwe naco nyene caragabanutse,kiva kuri 6887 muri Rusama gushika kuri  60 53 muri Ruheshi,ni ukuvuga  igabanuka kubantu 834,bangana n'igabanuka rya 12,1 %.Muri Ruheshi 2026, abakatwe baguma ari benshi ku batarakatirwa bari mu mabohero,ku bantu  bakatiwe 6 053 ni ukuvuga  (53,7 %) kuri 5 215 batarakatirwa ni ukuvuga (46,3 %).

***Igicapo 4 : Igicapo cerekana ihinduka ry'ibitigiri c'abataraburanishwa hamwe n'abakatiwe***




. Ivyongera ku  vyitezwe mu burenganzira bw'abigenga no muri politike,uburenganzira bw' imibano,ubutunzi n'imico kama bwarahungabanye muri Rusama na Ruheshi 2026 mu Burundi.

⇒***Mu gisata c'ubutunzi,*** ivyabaye  ku wa 11 na 13 Ruheshi 2026 vyaragize ingaruka mbi ku  burenganzira k'ubutunzi.Ibirori vyo kwibuka uwahoze ari umukuru w'igihugu Nkurunziza vyabereye ku kibuga c'inkino Agasaka,aho abanyagihugu bategetswe guterera muvyo   uburyo.Igiticiri c'amahera kizwi carategekwa abayobozi b'amashure hamwe n'abigisha.Abagore bacuruza barashikirije akababaro utewe n'ivyo basabwa.Ku musi ukurikira,urwaruka rw' Imbonerakure rwarasongeye isibe mu kuburabuza ibikorwa vyo mu mirima.

Igiporisi carugaye amazu y'ubudandarizo hamwe n'utuguriro gushika igihe c'isaha 12.Imyiyerekano irangwa n'ubwoba munyuma yaratanguye,vyerekana ko intererano zo kunguvu zarwanjwe bikomeye hamwe n'uruhombo bizana.Muri komine Muyinga,umunyamabanga wa CNDD-FDD ku rwego rwa komine yarusikanije ihadabu ryo guterera,yongera ku mategeko yo gutangisha amahera  buri kwezi ku banyagihugu.I Muramvya, ubukene bw'imfungurwa bwariyongereye vyihuta naho nyene bageragej e kubahiriza ibiciro.Abarimyi bahura n'ibura ry'ifumbire,ry'unyuwe no kubura gifasha muri Reta,bishikana gutyo ku ruhombo rw'umwimbu  no kukubura imfungurwa.

⇒***Mu gisata c'indero,*** ukwezi kwa  Ruheshi na Rusama haharuwe abahevye ishure barenga  3 400 muri komine Rumonge,cane cane kubera ubukene hamwe n'inda zindaro.Abarezi babamagarira gushiraho utwigoro two kurwanya uguheba ishure hamwe no gushigikira biboneka imiryango ifise ubushobozi buto.Reta iranategekanya

## *I. INCAMAKE(Ibikurikira urupapuro 6)*

impinduka mu gisata c'indero mu mwaka w'ishure 2026-2027, bigamije guhinyanyura inyigisho z'igifarasa hamwe n'ugukomeza uguhugura abigisha.

⇒***Mu gisata c'amagara,***amagara y'abantu nayo nyene yarakozweko,aho habonetse ingwara itangaje i Kigutu. Ukubura imiti mu ntara vyaratumye abarwayi bigurira imiti n'uburyo bwabo.

Mu Rumonge, ubwoba bw'icaduka ca Ebola bwarateye amakenga ,vyunyuka kubera ukwegerana na Kongo.Ikivuko co mu Rumonge, c'akamaro gakomeye,kibuze ibikoresho bibereye gishobore guhangana n'ivyoshika.Ingingo zo gusuzuma zarakomejwe,ariko rero,abanyagihugu basaba ibikorwa bikomeye kugira bashobore gukinga ikiza ico arico cose.

⇒***Mu gisata c'ubufasha,*** uguhunguka ku bushake bw'impunzi z'abanyakongo vyarabandanije,muri kino kiringo ca Rusama na Ruheshi impunzi 6784 zaroroherejwe na HCR kandi muri ico gihe nyene uguhunguka kunguvu kw' abarundi vyarabandanije cane cane mw'ikambi y'impunzi z'abarundi ziri muri Tanzaniya.Ikirindiro c'i Nyabikere cakiriye imiryango 1879 igizwe n'abantu 4022 mu kwezi kwa Rusama na Ruheshi 2026.

## *II. IBISABWA*

Mukiringo c'iki cegeranyo,itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya ryibonekeza mu mihingo itandukanye y' igihugu.Iki cegeranyo gishira ahabona amabi ajanye no guhonyanga uburenganzira bwo kubaho,bwo kubahana hamwe n'ubwo kwidegemvya;uburenganzira ku butunzi,imibano n' imico kama.

Umuhari Iteka urarajwe ishinga n' ukudahana ububegito buguma bwibonekeza ukongera ugasaba ibikurikira kuri ivyo:

**Ku mukuru w'igihugu c'uBurundi :**

1. Intwaro ya demokarasi mu kubahiriza uburenganzira n'umwidegemvyo shingiro vy' abanyagihugu.

2. Kubahiriza agateka ka zina muntu, cane cane uburenganzira ku buzima, ukwitwararikana muri vyose hamwe n'umwidegemvyo.

3. Kubandanya utwigoro twiza twiwe tugamije gutezurira amabohero mu gufata ingingo ziwe z'ikigongwe z amaze kugira akamare.

***Ku mushikiranganji bw'ubutungane,agatreka ka zina muntu n'ukunganisha ibitsina hamwe n' ubushikiranganji bwo hagati mi gihugu,iterambere ridakumira n' umutekano kuri bose:***

1. Gufata ingingo zitomoye zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze;

2. Gutohoza no guhana bimwe biboneka amabi akorerwa abana bato vyabaye akayoberaba hinga mu Burundi abatware barorera hamwe n'abandi bo mu mugambwe uri ku butegetsi

**Ku mushikiranganji w'indero hamwe n'ubushakashatsi n' ukunganisha ibitsina hamwe n' ubushikiranganji bw'intwaro hagati mu gihugu,iterambere rusangi n'umutekano w'abanyagihugu:**

1. Kurandurana n'imizi ibikorwa vya politike mu bigo vy'amashure kugira bakingire bongere bateze imbere

uburenganzira ku ndero ku mwana wose w'uburundi

***Ku mushikiranganji w'ubutunzi,uburyo hamwe n'ugutunganyaubutunzi ku buryo bwa kijambere hamwe n'umushikiranganji w' ibidukikije,Uburimyi n'Ubworozi :***

⇒ Kuronsa abarimyi ifumbire bakoresha hakiri kare cane cane umwavu w'ikizungu no kuraba ko amashirahamwe atororokanya

***Ku mushikirizamanza wa Repuburika noku muyobozi mukuru arongoye amabohero (DGAP):***

1. Gukoresha ata gukikira amategeko atanga uburenganzira ku rubanza runganisha hamwe no guhana amabi arengera uburenganzira bw'abapfungwa ;
2. Kubahiriza umwidegemvyo nshingiro n'agateka k'abantu,kubuza guhagarika biciye kubiri n'amategeko hamwe no kurekura abantu bapfunzwe biciye kubiri n'amategeko .
3. akongera akagura umwimbu yubahiriza amasezerano agiriranira na Reta;

***Ku bafasha muvyo ubuhinga n'ubutunzi Reta y'u Burundi harimwo NU, UE n' abaserukira ibihugu bakorera mu Burundi,n'ahandi.***

1. Gushigikiragukingira abaharanira agateka ka zina muntu hamwe n' abamenyeshamakuru bafise uruhara ngirakamaro mu kudomako urutoke ivyaha;
2. Gukwirikirana bikomeye iyubahirizwa ry'amasezerano hagati na Reta y'uBurundi bongere bayigondoze ko ibwiriza kugira ico ikoze mu ntumbero yo kubahiriza agateka ka zina muntu;
3. Gushigikira mu buryo bw'amahera n'ibikoresho amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu mu Burundi hamwe n' amashirahamwe akora mu gisata c'abahunguka n'impunzi mu Burundi

***Ku bafasha muvyo ubuhinga n'ubutunzi Reta y'u Burundi harimwo NU, UE n'abaserukira ibihugu bakorera mu Burundi,n'ahandi:***

1. Kugondoza Reta y'uBurundi kuvyo yiyemeje ku bijanye n'ukubahiriza uburenganzira shingiro hamwe no guhimiriza impinduka mw' itunganywa kugira bakinge amabi mashasha
2. Gushigikira ugukingira abaharanira agateka ka zina muntuhamwe n'abamenyeshamakuru,bafise uruhara nyamukuru mu gushira ahabona ububegito bukorwa;
3. Gushigikira mu buryo bw'amahera n'ibikoresho amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu akora hamwe n'amashirahamwe afasha abantu akora mu vyo abahunze n'impunzi mu Burundi ;
4. Gukoresha ububasha bwabo mu kugondoza Reta y'uburundi ngo yubahirize ivyo yiyemeje vyo gukingira agateka k'abantu.

***Ku mugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu mu Burundi (CNIDH):***

1. Gukora amatohoza yigenga kw'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no gushira ahabona ivyegeranyo vyo ku gihe,cane cane ku biziga bitorwa,amabi afatiye ku gitsina akorerwa abana,ukuborezwa igufa,ukuburwa irengero hamwe n'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko.

***Ku mashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu:***

1. Gukwirikirana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi hamwe no guharanira gukingira ubwigenge shingiro;
2. Guharanira gukorera hamwe ku nyungu zo gukora neza kandi ibirama muvyo bashira imbere bitandukanye,
3. Gushigikira abagize amakuba y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no guharanira ubutungane kuribo.

## *III. INTUMBERO Y'ICEGERANYO*

**Umuhari Iteka wasohoye iki cegeranyo c'ruvange rw'amezi 2  ku mwihwezo w'ivyerekeye umubana-poritike-ubutunzi hamwe n'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ntumbero yo:**

1. Gukangura Reta y'uburundi mu ntumbero yo kubahiriza agateka ka zina muntu hamwe no kurwanya ukudahana amabi ;

2. Gufasha ayandi mashirahamwe  gukurikira uko agateka ka zina muntu kifashe mu kiringo c'iki cegeranyo,mu kudomako urutoke ingorane hamwe n'intambwe yatewe ;

3. Gutanga umuco ku bafata ingingo za poritike,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu hamwe n' amashirahamwe mpuzamakungu mu gufta ingingo no mu bikorwa vyabo biraba Uburundi ;

4. Gukangura ivyiyumviro vy'abanyagihugu canke mpuzamakungu ku kibazo binegura bijanye n'agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano mu  Burundi, hamwe no kurwanira impinduka canke ibikorwa vy'umwihariko.

## *IV. UBUHINGA BWAKORESHEJWE*

Umuhari Iteka uguma ushira ahabona ivyegeranyo vyo kundwi kundwi,hamwe n'ivyegeranyi vyo ku kwezi ku kwezi,ku mezi abiri,ku mezi atatu,no ku mwaka, amakuru hamwe n'ivyegeranyo ku vyerekeye agateka ka zina  muntu hamwe n'umutekano. Ivyo vyandiko bihambwa abafasha batandukanye,cane cane Reta y'Uburundi hamwe n'inzego zayo zitandukanye.

Iki cegeranyo kivuye mu mwihwezo wamaho ukorwa n'abakorerabushake hamwe n'abarorerezi bo mu muhari Iteka,bakora kw'izina ry'agateka ka zina muntu babicishije mu nani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n'  ibisata 32**.**

Abanywanyi b'uyo muhari barangwa n'ubuntu hamwe no kwitanga,biyemeza gukinga amabi ahonyanga agateka ka zina muntu mu kubandanya bakurikirana hamwe no gutohoza abakoresha igikenye hamwe n'amabi akorwa n' ubutegetsi buhari bucinyiza abanyagihugu.

Ubuhinga bwo kurondera amakuru bwakoreshejwe mu gusuzuma uko agateka ka zina muntu mu Burundi ku ntwaro ya Ndayishimiye Evariste bushingiye ku buryo bwiyongera kandi bukabije.Uburyo bwo kurondera amakuru bushingiye ku nyifato nibwo bwashijwe imbere,bisigura ko ukwegeranya amakuru hamwe n'ugukora amatohoza nku bantu bakenewe,nk'abaharanira agateka ka zina muntu,abanywanyi b'amashirahamwe yigenga hamwe n'abakozi bo mu ntwaro.  Ubwo buhinga butuma vyoroha kwegeranya imice yose ku vyerekeye agateka ka zina muntu mu  Burundi, batanga gutyo amakuru yizewe y'ingorane bahura nazo hamwe n'intambwe zakozwe kuva Ndayishimiya ashika ku butegetsi muri Ruheshi 2020. Vyongeye,amatohoza yarakozwe n'abakorewe amabi yerekeye agateka ka zina mu ntu kugira haboneke intahe nyazo,bigaha inguvu gutyo ugusesangura mugushingira  ku makuru  babayemwo.

Ariko, mu cegeranyo cacu co ku ndwi ku ndwi Iteka n' Ijambo,iki cegeranyo gishirahamwe amakuru yo mu mezi abiri kuva kuri Rusama na Ruheshi  2026.  Ububiko Ubuhinga bwo kurondera amakuru bwakoreshejwe mu gusuzuma uko agateka ka zina muntu mu Burundi ku ntwaro ya Ndayishimiye Evariste bushingiye ku buryo bwiyongera kandi bukabije.Uburyo bwo kurondera amakuru bushingiye ku nyifato nibwo bwashijwe imbere,bisigura ko ukwegeranya amakuru hamwe n'ugukora amatohoza nku bantu bakenewe,nk'abaharanira agateka ka zina muntu,abanywanyi b'amashirahamwe yigenga hamwe n'abakozi bo mu ntwaro.  Ubwo buhinga butuma vyoroha kwegeranya imice yose ku vyerekeye agateka ka zina muntu mu  Burundi, batanga gutyo amakuru yizewe y'ingorane bahura nazo hamwe n'intambwe zakozwe kuva Ndayishimiya ashika ku butegetsi muri Ruheshi 2020. Vyongeye,amatohoza yarakozwe n'abakorewe amabi yerekeye agateka ka zina mu ntu kugira haboneke intahe nyazo,bigaha inguvu gutyo  ugusesangura  mugushingira  ku makuru  babayemwo.

Ariko, mu cegeranyo cacu co ku ndwi ku ndwi Iteka n' Ijambo,iki cegeranyo gishirahamwe amakuru yo mu mwaka  wose kuva kuwa 01 Ruheshi gushika kuwa 31 Rusama 2026.  Ububiko KOBOTOOLBOX bw'amakuru y'ishirahamwe  aho amakuru yose arimwo akabanga yafashije ku bigara  hamwe nuburorero buvyerekana.

bw'amakuru y'ishirahamwe  aho amakuru yose arimwo akabanga yafashije ku bigara  hamwe nuburorero buvyerekana.

### *V.1. UBURENGANZIRA MURI PORITIKE NO KWIGENGA*

*Uburundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*


#### *V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

##### *V.1.1.1. UBWICANYI BWATEGUWE*

Mu kiringo c'iki cegeranyo co kuva muri Rusama gushika muri Ruheshi2026, Iteka waharuye abantu 42 bishwe ku butaka bwose bw'Uburundi harimwo abagabo 31 n'abagore 11.Muri abo bishwe,abantu 25 batowe ibiziga. Nkuko igicapu kivyerekana,intara za Gitega na Bujumbura zarakozweko cane ku bantu 14 kuri imwe imwe.hagakurikira intara ya Burunga ku bantu 6,Buhumuza iza ubwa 3 ku bantu 5 bishwe ,ubwa nyuma Butanyerera ku bantu 3 bishwe.. Twomenyesha ko ibishwe harimwo abana 8n'abakuze 34.

| Intara | Incuro z'ubwi-canyi | Igitigiri c'abishwe | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ubwicanyi | Ibiziga vyatowe | | |
| Buhumuza | 5 | 2 | 3 | 4 | 1 |
| Bujumbura | 14 | 7 | 7 | 10 | 4 |
| Burunga | 5 | 1 | 5 | 6 | 0 |
| Butanyerera | 3 | 1 | 2 | 3 | 0 |
| Gitega | 11 | 6 | 8 | 8 | 6 |
| Zose hamwe | 38 | 17 | 25 | 31 | 11 |

***Igicapu ca 5 : Ikigara cerekana abantu bishwe mu kiringo ca Rusama gushika muri Ruheshi 2026***



### *V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupuro 10)*

**_Uburorero buvyerekana:_**

**_Cas de personnes tuées par des Imbonerakure :_**

**_Ak1 :_**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 23 Ruheshi 2026 ivuga ko kuwa 31 Rusama 2026,umunyagihugu yitwa Seif Ntakirutimana yarapfuye kubwo ibikomere,inyuma yogukubitwa n'urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi kuwa 27 Rusama 2026,muri zone Buterere ya komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura.

Hafi y'isaha zitanu z'ijoro,mugihe yitegura ngo atahe muhira iwe,Seif yahagaritswe n'mbonerakure zari zirakizura mw'ijoro. Izo mbonerakure,zamusavye karangamuntu. Uwo mwanya ntako yari yagendanye,uwo yishwe yabasavye ko bojana muhira iwe kugira agatore. Izo mbonerakure zaranse hanyuma bamujana ku nguvu ahantu amazi mabi yose ahurira,bakunze kwita« muma bassins ». Aho,baramukubise cane gushika aho ata ubwenge,imbere yo kumutaho.

Inyuma yo gutora ubwenge,Seif yarashoboye gushika muhira acumbagiza. Kubwo izo nkoni,yateye aremba, kutiyegura,inyuma y'iminsi mike,Seif yitavye Imana kubera ukuborezwa igufa kuwa 31Rusama 2026.

Bamuhamvye yaraye apfuye kw'itongo ry'abapfuye ryo Mpanda. Inyuma y'iryo bara ,umukuru w'umugwi w' Imbonerakure yarimwo mubamuboreje igufa,azwi kw'izina rya Élie,yarahagaritswe n'indongozi kandi ubu ari mu gasho ka Mpimba.

---

***Ak2 :*** *Kuwa 28 Rusama 2026,kw'ibarabara 4 ryo muri karatiye Muyinga, muri zone Kinama, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura, Didier Nkurunziza, w'imyaka 21, umuntu mushash mu mwug a wo gukora ingendeshwa, yarishwe acumiswe imbugita n'imbonerakure yitwa Yamuremye mu nzu y'uburiro. Kubwo ivyabona vyo muri ako karere,uwo yishwe yari muri iyo nzu y'uburiro kandi yama ariho afungurira. Ku bwo ivyo vyabona nyene,igihe yariko arariha imfungurwa,yabuze igihumbi hanyuma ayo yagirizwa kumwica amusimbirako hanyuma amucumita imbugita mu rubavu aca apfira ahonyene.Ikiziga ciwecajanywe mu buruhukirobw'ibitaro vy'abasirikare mu Kamenge*

*Ayo masoko nyene yongera ko uwagirizwa iro bara yahagaritswe hanyuma ajanywe mu gasho zone Kinama.*

### *Abantu bishwe n'abaporisi:*

***Ak3****: Igenekerezo rya 14 Rusama 2026,hafi y'isaha zitandatu z'ijoro,ku mutumba Samwe, muri zone Rugombo muri komine Cibitoke, mu ntara ya Bujumbura, Eric Niyongabo, atashe muhira iwe,yarahagaritswe hanyuma ategekwa n'abaporisi kuduza amaboko. Ico gihe,umwe mu baporisi yamurashe urusoro mu kwaha ruserukira mu gikiriza.*

*Ku bwo ivyabona vyo muri kano karere,vyose vyatanguyehafi y'isaha cumi na zibiri z'umugoroba mu matati hagati y'abagabo 2 harimwo janvier na Jean Gasore,yahoze ari umurwanyi muri CNDD-FDD n'indongozi muri zone ya Rugombo.Bahuriye ku mugore aba ku mutumba Munyika,uhana urubibe n'umutumba Samwe, muri zone Rugombo hnyuma amahane araduka,umwe wese yemeza ko uwo mugore ari uwiwe. Umwe muri bo aratangura : « Urabeshe,uyu mugore ni uwanje,kubera ni jewe ndiha inzu abamwo».*

*Amatati hagati yabombagabo ntiyamaze umwanya munini; Janvier atashe iwe ku mutumba Samwe. Uwo mwanya,abahaba bibazako amahane yaheze.*

*Hafi y'isaha zine z'ijoro,Jean Gasore yagiye gusaba abaporisi 2 bo ku kirindiro co muri zone de Rugombo hanyuma ajana nabo baporisi,bagiye muhira kwa Janvier kumuhagarika. Bashitseyo, umuryango wa Janvier waranse ko bamujana , kandi n'abandi bahaba basidukanye n'iyonka kuvyiyamiriza. Abantu bose bari bahari baremeje ko Janvier badashobora kumutwara amasaha akuze kandi ata mutahe umuhagarika bafise.*

*Mu nyuma, Jean Gasore,yahamagaye abaporisi 3 bobafasha hanyuma bose hamwe bagerageza kujana kunguvu Janvier. Ku bwo gufatana mu nda hamwe n'amakenga ku mutekano w'umubanyi wabo,abahaba basubiye kuvyiyamiriza,banka ihagarikwa ryiwe ridaciye mu mategeko. Abaporisi barashe amasasu menshi barabisha*

## *V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikira urupapuro11)*

mw'isinzi ry'abantu kandi amasasu yarashikiriye abantu 3, abasigaye barashwiragira.

Muri ivyo vyashitse, Eric Niyongabo, umuntu agira kane yakozweko n'ayo masasu,ntiyari mu micungararo kandi ntiyarazi ibiriko biraba. Atashe iwe mu mahoro,yahuye mw'ibarabara n'abaporisi hanyuma abo nabo baramurasa mpaka hanyuma biruka basubira ku kirindiro.

Mu nyuma,umukuru w'ikirindiro yarashitse aho vyabereye hanyuma asanga abahaba bariko begeranya abakomeretse kugira babajane kw' ivuriro AGAPE,riri hafi ya zone.

Eric Niyongabo yapfuye imbere yo kuronka ubuvuzi. Kuvyerekeye abanda batatu bakomeretse,babandanije bavurwa gshika igenekerezo rya 15 Rusama 2026,kandi amagaro yabo ameze neza,ku bwo amasoko yacu.

Ababa muri zone ya Rugombo,babaye kandi bashavuye, basaba ko imbere ya vyose ko umuryango wa Eric Niyongabo wotunganirizwa ndetse nabo bandi 3 bakomeretse.

Basaba kandi indongozi zo hejuru,haba abo mu ntwaro canke mu giporisi,ko gutanga umuco ku mvo zituma umunywanyi w'umugambwe uri ku butegetsi ashobora gukoresha igiporisi kandi gifise inzego kandi ikabatuma bakora ikibi nk' ico.

Mu gusozera,abanyagihugu basaba ko urubanza rwocirwa vuba bwango kugira bahane bimwe biboneka Jean Gasore kandi abo baporisi 5 bafadikanije, inyuma yaho abo baporisi bamenyekanye, igipfungu hamwe n'ukwihutisha ibintu ntivyakunze ko bemera neza ivyo ivyabona vyashikirije.

### *Abantu bishwe n'abantu batamenyekanye:*

***Ex4*** **:** *Kw'igenekerezo rya 24 Rusama 2026 hafi y'isaha cumi na zibiri z'igitondo,ku mugwa mukuru wa Zone Mugera, muri komine Gisagara, mu ntara ya Buhumuza, ikiziga ca Jean Claude, yakukurutse muri Ex-FAB w'imyaka 50 irenga catowe n'abahita bagiye mu misa ya mbere.*

*Ku bwo ivyabona vyo muri ako karere, impunzu z'umuhisi zari zitabutse ivyatumye bibaza ko zatabutse ariko agerageza kwirwanira kandi yarafise igikomere kinini mu maso. Ku bwo ivyo vyabona,imvo za poritike zoba ziri inyuma y'urwo rupfu kubera uwo muhisi yari umunywanyi w' umugambwe CNL, ibaba rya nyakwubahwa Agathon RWASA.*

*Ikiziga cajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vya komine Mishiha mukurindira ko bamushingura.*

*Musitanteri wa komine Gisagara, NZIRUBUSA Japhet avuga ko atavyo azi ariko ko azobitohoza kuko ari mu rugendo rw'akazi mu gihugu c' Ubushinwa.*


Uwo uri wese ubahirizwa

### *V. 1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,ukunyuruzwa no kuburwa irengero vyerekanye ingorane zikomeye mu bikorwa bijanye n'umutekano no muri poritike vy'igihugu.Incuro nyinhi zatohojwe zerekana aho abantu,babonwa nk'abatavuga rumwe canke bikekwa gusa,banyurujwe n'abajejwe umutekano canke abo bafadikanya "urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi.Abo bahuye n'ivyago kenshoi baburirwa irengero ahantu hatazwi,bagasiga imiryango yabo mu bwoba bwinshi kuvyerekeye ico bagiye kubakoza canke aho bapfungiwe.
Muri aya mezi abiri y'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuye abantu 9 banyurujwe mu gihugu cose kandi bose ni abagabo. Intara zakozweko cane ni intara ya Bujumbura aho hanyurujwe igitigiri kinini ku bantu 8nbanyurujwe, Butanyerera ku muntu 1 yanyurujwe.

| Intara | Incuro z'aba-nyurujwe | Igitigiri c'aba-nyurujwe | abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **0** | **0** | **0** | **0** |
| **Bujumbura** | **6** | 8 | 8 | 0 |
| **Burunga** | **0** | **0** | **0** | **0** |
| **Butanyerera** | **1** | **1** | **1** | **0** |
| **Gitega** | **0** | **0** | **0** | **0** |
| **Grand Total** | **7** | **9** | **9** | **0** |

*Igicapu ca **6 : Ikigara cerekana abantu banyurujwe mu kirigo co kuva muri Rusama gushika muri Ruheshi 2026***




### *Uburorero buvyerekana:*

### *Abantu banyurujwe n'abaporisi :*

***Ak1 :*** *Kuwa 05 Rusama 2026 hafi y'isaha zine z'igitondo, umunyagihugu azwi kw'izina rya Samuel Nshimirimana yaranyurujwe n'abantu batamenyekanye.*

*Amakuru twatororokanije aho nyene, Samuel yari iwe,ku muhana uri muri karatiye Gisyo, muri zone Kanyosha, muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura.Ni ho yaronka yitaba iterefone.Asohotse hanze,yaciye afatwa buunonyene n'abantu bamuhatiye kwurira ingendeshwa yo mu bwoko bwa Toyota Probox,ifise ibiyo bitabona,ifise imparati nomero JA7135.*

## *V. 1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO(Ibikurikira urupapuro15)*

Kubwo amasoko yaho, uburyo NSHIMIRIMANA Samuel yafashwemwo bwibutsa incuro nyinshi zo kunyuruzwa zakozwe n'abakozi b'iperereza ry'Uburundi.Ayo masoko nyene amenyesha ko NSHIMIRIMANA Samuel, w'imyaka 30 avuka muri zone Rugombo muri komine Cibitoke,nk'abandi badafise akazi b'abarundi bagerageza ivy'uburimyi hamwe n'iyindi mirimo mito kandi aba hagati ya Cibitoke na Kanyosha, nta mugambwe n'umwe arimwo canke ngo awukunde.

Ingendeshawa yavuye ho ku muvuduko urenze ifata inzira ya Kabezi.Kuva ico gihe,umuryango wiwe ntamakuru mashasha yiwe ufise haba aho yoba ari kandi ufise amakenga ku mutekano wiwe.

***Ak2:**Kuwa 2 Ruheshi2026,umuhari Iteka waronse inkuru ivuga ko abagabo 2 bose bakorera iperereza, banyurujwe i Bujumbura ku munsi wa gatanu igemnekerezo rya 22 Rusama 2026.*

*Iryo nyuruzwa yabereye ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika,impande ya Nyabugete Beach.Abo 2 banyurujwe niVincentNsengiyumva na AnicetNsengiyumva. Vincent Nsengiyumva, w'imyaka 33 ,yari umukinyi mu murwi w'igiporisi c'igihugu c'Uburundi "Rukinzo". Ku rundi ruhande,yakora nk'umukozi w'iperereza mu kirindiro co ku rubibe mu Gatumba kandi yadandaza igitoro kiva mu gihugu ca Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo. Ava ku mutumba wa Manga, muri komine Kabarore mu ntara ya kera ya Kayanza, yaba mu Kinama n'umuryango wiwe. Kuri Anicet Nsengiyumva,nawe,avuka ku mutumba Kabuye,muri komine Buraza mu ntara ya Gitega, kandi yaba gushika ubu muri karatiye NyabugeteBujumbura.Ku bwo amakuru twahawe n'ishirahamwe King Umurundi Freedom,ivyo vyatanguye imbere y'umutaga wo kuwa gatanu igenekerezo rya 22 Rusama 2026. Uwundi mukozi w'iperereza mu gisirikare,yitwa Franck kandi aba muri zone Musaga hafi ya gasekebuye,yoba yasavye Vincent kugendesha imodokari yiwe yo mu bwoko bwa Voxy aho bakorera ingendeshwa muri karatiye Buyenzi kugira bayikore ibintu bimwe bimwe. Bahejeje kuyikora,Vincent yagiye kwa Franck,hanyuma ni ico gihe abo bagabo 2 bafashe ibarabara rija mu Gatumba.Bavuye mu Gatumba,bari bateguye kwisanzura mu nzu y'buriro n'ubunywero yitwa MINA RESTO BAR, iri muri karatiye Nyabugete. Bariko baragenda,Franc yoba yararonse iterefone ya Anicet,amusaba gukora akazi ko gufata abadandaza ibitenge vya magendo biva muri kongo.*

*Franc ariko aravyanka,asigura ko adashobora gukora igikorwa nk'ico adahawe itegeko n'abamukurira mu kazi. Haciye umwanya,Anicet yasanze abo bakorana 2 muri ubwo bunywero hanyuma asaba icupa kugira yimare akanyota. Niho yitaba iterefone ry'umuntu atamenekanye. Agira amakenga menshi,yinginga mugenzi we Vincent ngo amuherekeze hanze.Ubunywero yari inzu igeretse,barurutse kugira bahure n'uwo bavugana, yari yavuze ko ari umugabo yitwa Nordin Nsengiyumva, alias Robati. Uwo mugabo yababwiye ko ashaka kubaha imizigo,kandi ko iyo iri ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika ku wundi muntu.Bose rero baca bicara muri ya ngendeshwa yo mu bwoko bwa Voxy,ifise imparati FA 9379 kandi yari iya Anicet,kugira bagende ku kiyaga ca Tanganyika, impande ya Nyabugete Beach. Aho hantu, bahasanze uwundi muntu , atamenyekanye, yarafise umuzigo bavuga urimwo ibitenge hamwe n'amacupa y'imivinyu. Inyuma yo gupakira ivyo bidandazwa mu ngendeshwa yabo,kandi umwanya wuko bariko baragaruka kugira batahe muri karatiye Nyabugete,imodoka yo mu bwoko bwa Hilux y'ibara ryera,itagira inomero z'imparati kandi ifise ibiyo bitabona, yaserutse iri mu muvuduko munini cane kugira ibitambike imbere. Abagabo batatu bambaye ibisanzwe hamwe n'abandi 4 bambaye umwambaro w'igiporisi baciye bururuka kimwe na kimwe mu ngendeshwa yabahagaritse. Bururutsa ya mizigo yose yari muri ya Voxy kugira bayishire muri Hulux, imbere yo gufata Vincent na Anicet bakabahagarika kandi baburiza ku nguvu. Naho abo bakozi b'iperereza bagerageje gutabaza, ntibaronse ikibatabara. Ku vyerekeye Robati n'uwo agira kabiri bahuriye ku nkengera y'ikiyaga ca Tanganyika,basubiye kugenda atangorane n'imwe barikumwe n'abajejwe umutekano. Gushika ubu,ntanumwe azi neza ahari abo bakozi 2 b' iperereza. Amasoko amwe avuga ko Vincent yoba yaramaze gupfa,kubera yarafise amabanga menshi ashobora gukwegera bamwe ku mvo z'ihagarikwa rya Anicet. Ayandi masoko yemeza ahubwo ko abo bakozi 2 b'iperereza boba nabonyene bari mu mabi y' ubunyonyezi hamwe no muruhererekane rwo kudandaza igitoro hamwe n'ibitenge biva muri RDC. Ni ingirakamaro kubamenyesha ko ingendeshwa yo mu bwoko bwa Hilux yakoreshejwe muri iryo nyuruzwa ari iya Général de Brigade de Police Domitien Niyonkuru.*

#### *V. 1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO(Ibikurikira16)*

### *Abantu banyurujwe n'abasirikare:*

***Ak2:***Kuwa 5 Ruheshi 2026,umusirikare azwi kw'izina rya Bizimana Gérard yaranyurujwe ku Musaga, muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura.

Ku bwo icabona cari kihari,yarikumwe n'umuntu yitwa Cedric kandi bariko bafungura mu bunywero bw'uwahoze ari umushingamateka Lewis. Ni ho ingendeshwa yo mu bwoko double cabine ifise ibiyo bitabona yashika aho bari. Abantu 2 bambaye impuzu za gisirikare barurutse,bafata Bizimana Gérard hanyuma bamwuriza ku nguvu iyo ngendeshwa,mu nyuma yaciye igenda.

### *Abantu banyurujwe n'abanu batamenyekanye :*

***Ak3:*** Jean Claude Nduwimana, umusirikare w'umukukuruke ava ku mutumba Gitaba ,komine n'intara ya Rutana kandi aba muri karatiye Busoro, muri zone Kanyosha ,muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura, yarabuzwe irengero.

#### *V.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHHOTERWA KU MUBIRI*

Uburenganzira bwo kudakubagurwa mu Burundi bukingiwe n'amategeko menshi,hamwe n'amashirahamwe mpuzamakungu . Ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi rirakingira ubunganzira ku buzima,ku mwidegemvyo no ku mutekano w'umuntu. Riririmiriza ukuborezwa igufa,ugufatwa bunyamaswa n'agacinyizo.Ibwirizwa nshingiro ry' Uburundi rirarwanya amabi afatiye ku rukoba,nk'amabi yateguwe,ukugubita n'ugukomeretsanya ndetse n'amabi afatiye ku gitsina.


#### *V.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA CANKE AGACINYIZO*

Bose hamwe,abantu 5 baborejwe igufa baraharuwe n'umuhari Iteka ku butaka bwose mu kiringo c'iki cegeranyo. Ku ncuro 5,abantu 6 baraborejwe igufa,abantu 4 muri bo ni abagabo hamwe n'abagore2 . Nk'ukwo ikigara kiri aha munsi kivyerekana,intara zakozweko ni Gitega ku bantu 3 bakorewe amabi, Burunga ku bantu 2 , hamwe na Bujumbura ku muntu1.

### *Igicapu ca 7 : Ikigara cerekana abantu bishwe mu kiringo co kuv Rusama gushika Ruheshi 2026*

| Intara | Incuro z'uguhohoterwa | Igitigiri c'abakorewe amabi | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **0** | **0** | **0** | **0** |
| **Bujumbura** | **1** | **1** | **1** | 0 |
| **Burunga** | **2** | **2** | **2** | 0 |
| **Butanyerera** | **0** | **0** | **0** | 0 |
| **Gitega** | **2** | **3** | **1** | 2 |
| **Zose hamwe** | **5** | **6** | **4** | **2** |

*V.1.2. UBURENGANZIRA KBWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI (Ibikurikira urupapuro17)*




***Amabi yatohojwe:***

***Abantu bafashwe bu nyamaswa n'abaporisi***

***Ak1:*** *Mw'ijoro ryo kuwa 10 Rusama 2026, hafi y'asaha zitanu,mu kirindiro c'abateshejwe izabo mu Kabezi, muri komine Mugere,mu ntara ya Bujumbura, umusore w'imyaka 21 , azwi kw'itazirano rya Kibaju, yarakubiswe n'abaporisi bajejwe gucungera urugo rwa musitanteri wa komine ya Mugere.*

*Kubwo icabona cavyiboneye,umusore Kibaju yariko asoma inzoga zikazezaho bita ikibangara hamwe n'uwundi aba muri ico kirindiro, yitwa Claver,yamukubise umugere. Kibaju yagerageje kwirwanira kugira asunure uwo uwo yamutanguye, ariko ni uyo mwanya nyene abaporisi bacungera urugo rwa musitanteri wa komine Mugere baje gutabara.*

*Aho guhagarara hagati kugira bahagarike ayo mahane, abaporisi baciye basimbira kuri uyo musore. Baramukubise hanyuma bamusiga ari ikiruruma. Yakomeretse kandi ytaye ubwenge,uwo yakubiswe yanyarukanywe kwa muganga. Amakuru yanyuma,umusore Kibaju aracarembeye mu bitaro vya Kabezi.*

---

***Ak2:*** *Umudandaza yitwa Léandre Nsabiraduha, aba muri karatiye Bururi ya komine Bururi,mu ntara ya Burunga, yarakubaguwe kuwa24 Ruheshi 2026 hafi y'isaha cumi z'umuhingamo n'abaporisi ku kirindiro co ku Kiryama,giherereye muri komine ya Matana,intara ya Burunga, kubwo amakuru ava mu masoko yaho.Mu gihe yariko agerageza kugura igitoro,imodoka yiwe y' ibara ryirabura,yo mu bwoko bwa Probox,yaciye ku rutsinga rwashizweho n'abaporisi bajejwe gutunganya itangwa ry'igitoro.*

*Yaciye yururuka imodoka yiwe kugira abaze ibibaye. Umuporisi Sergent-chef Nzoyisaba J Claude, akorera i Ruvumvu, muri komine Songa, yaramwifatiye. Uwo muporisi n'abandi bakorana amazina atamenyekanye uyo munsi,bamuteye imigere mu gikiriza. Aremvye,uwo yakubiswe yajanywe ku bitaro vya Bururi n' uwo muporisi hamwe n'abandi 2 baporisi 2 bari barindiriye kuronswa igitoro kw'itegeko rya komiseri wa komine Matana Uwo muporisi niwe ubu ariha amahera yo kwivuza ya Leandre yivuriza ku bitaro i Bururi, mu cumba inomero 27. Ayo makuru yemeza kandi yemezwa n'uwo yakubiswe,asaba ko uyo muporisi yohanwa hamwe nabo bakorana.Kw'igenekerezo rya 27 Ruheshi 2026, Léandre yarakiri mu bitari vy'ico kigo.*

*V.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI(Ibikurikira urupapuro17)*

## *Abantu baborejwe igufa n'abari mu ndogonzi:*

***Ak3:*** *Kuwa 12 Rusama 2026 hafi y'isaha cumi na zibiri z'igitondo,Niyogushima, w'imyaka 36, akora amakinga mu gasagara ka Buhiga kandi umunywanyi wa CNDD-FDD,yarahagaritswe ku mutumba Buhiga. Ihagarikwa ryakozwe n'umutware w'umutumba Nizigiyimana Emmanuel, kw'itegeko ry'uwurongoye zone Niyongabo Emmanuel. Ku bwo intahe twegeranije, yajanywe mw'ibohero ry'igiporisi ca zone kubera ivyo umugore wiwe Claudine,w'imyaka 30 akaba n'umunywanyi wa CNDD-FDD amwagiriza ko afise umugore agira kabiri. Amasoko yaho amenyesha ko Niyogushima afise ipikipiki n'ikinga,bamusanze mw'ijoro ryo kuwa 11 Rusama 2026 muhira kw'uwo mugore agira kabiri,afise isakoshe irimwo impuzu ziwe. Inyuma yo kubazwa,uwurongoye zone yategetse guhagarika Divine,w'imyka 25,afatwa nk'umugore agira kabiri.Abo babiri bakubiswe inkoni 100 umwe wese.*

*Ipikipiki n'ikinga vyarafashwe hanyuma babishira mu biro vya zone Buhiga.Niyogushima,adashobora gutambuka, yanse kuja kwivuza kandi aracarwariye mu nzu yadandarizamwo.Yoba yarakubiswe n'abantu benshi,harimwo Issa Nizigiyimana, Emmanuel atwara umutumba hamwe n'umuntu batazira Runyota, agira 3. Kuwa 16 Rusama 2026, Divine, afise inda y'amezi 3,yarataye ubwenge kubera inkoni yakubiswe. Yajanywe ku bitaro vy'i Buhiga aho akirwariye.*


### *V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,amabi yose hamwe yabaye incuro19 harimwo abantu 21 yatohojwe n'umuhari Iteka harimwo abagore 16 hamwe n'abagabo 5. Ku bantu 22,abantu 6 ni abakuze hamwe n'abana 16. Muri 21 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,13 bafashwe ku nguvu harimwo abakobwa 10 bakiri bato.

| Intara | Incuro c'abako-rewe amabi afa-tiye ku nguvu | Igitigiri c'abakorewe amabi | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Abafashwe ku | | |
| **Buhumuza** | **0** | **0** | **0** | **0** | **0** |
| **Bujumbura** | **2** | 0 | 2 | 0 | 2 |
| **Burunga** | **9** | 2 | 7 | 1 | 8 |
| **Butanyerera** | **6** | 2 | 4 | 3 | 3 |
| **Gitega** | **2** | 4 | 0 | 1 | 3 |
| **Grand Total** | **19** | **8** | **13** | **5** | **16** |

*V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA / UGUFATWA KU NGUVU( Ibikurikira urupapurro19)*

***Igicapu ca6 : Ikigara cerekana abantu bakorewe amabi afatiye ku gitsina kuva Ntwarante gushika Ndamukiza2026***




***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1*** *: Kuwa 20 Rusama 2026, ku mutumba Kanyenkoko, muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, F. S, w' imyaka 14, umunyeshure wo kw'ishure ry' abanyekongo mu mwaka wa 6, yafashwe ku nguvu n'uwikekwa yitwa Kampaya,umunyekongo aba kuri uyo mutumba nyene,afise imyaka 14 tufatiye kuvyo yavuze mu giporisi. Uwikekwa ko icaha ntiyaronse ivyemeza ko akiri umwana. Uwafashwe ku nguvu yajanywe ku bitaro vya Rumonge hanyuma uwikekwa ko icaha apfungirwa mu gasho ka komisariya y'i giporisi mu Rumonge imbere yuko arekurwa kumvo zobura impapuro zemezako akiri munsi y'imyaka 18.*

*Ibara ryaguye mugihe uwikekwa ko icaha yagerageje guhamagara uwo mukobwa mu nzu atawuyibamwo kugira amwugaraniryo hanyuma amushurashuze. Ni abavyeyi babonyeko umwana atari muhira hanyuma batangura kumurondera, bamusanga muri iyo nzu.*

——————————————————-

***Ak2:*** *Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 28 Ruheshi ivuga ko kuwa 10 Ruheshi 2026, ku mutumba Mutambara,muri zone Gatete, kuri komine Rumonge mu ntara ya Burunga,umukobwa mutoya yitwa N. A, umunyeshure wo kw'ishure nshingiro Mutambara 2, w'imyaka 13 yarafashwe ku nguvu n'uwitwa Ndayishimiye Idi, umudandaza w'imyaka 22,yamuhamagaye mu nzu y' ubudandarizo yiwe kugira amuhe ibitumbura.*

*Ni abahita nibo babonye umwana asohotse arira,bamujana mu kigo Humura ya Rumonge kugira bamukurikirane kandi uwikekwa icaha yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho ka zone imbere yo kurungikwa mw'ibohero rya komisariya ya komine Rumonge.*

——————————————————-

***Ak3:*** *Kuwa 18 Rusama 2026,umunyeshure yitwa N. N, w'imyaka 17, wo mu mwaka wa kabiri,mu gisata c'indimi,kw'ishure nkuru ya komine mu Kabezi iri muri komine Mugere yo mu ntara ya Bujumbura yoba yarashurashujwe n'umugabo akora mu gisata c'ingo n'imiryango muri zone Mubone.*

*Ku bwo amasoko yaho,ivyo vyabaye hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba ku mutumba Kimina, mw'ihoteri ya nyene kumufata ku nguvu,azwi kw'izina rya Alexandre BIRIKUNZIRA.Yahamagaye uwo mwigeme ngo aze gutora amahera y'ishure kuri iyo hoteri. Umwana yaragiyeyo hanyuma amwakirira mu cumba. Atangura kumukorakora hanyuma amusaba ko boryamana kugira amuhe ayo mahera.Umwana yarageragеje kwanka,ariko yaruhiye kumufata ku nguvu.*

### *V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU (Ibikurikira urupapuro 20)*

Umwana yarabwiye ivyamushikiye abajejwe indero kw'ishure ya komine mu Kabezi,baca bamujanabadatevye kwa muganga kugira bamukingire indwara. Uwikekwa gukora iryo bara yarahunze,amaze kumenya ko umwana yabivuze vyose.


#### *V.1.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA*

### *V.1.3.1. UGUHAGARIKWA NO GUPFUNGWA BIDAKURIKIJE AMATEGEKO*

Umuhari Iteka watohoje incuro 6 zose hamwe zo guhagarikwa ku butaka bwose bw'igihugu mu kiringo c'iki cegeranyo. Intara za Burunga na Gitega yabayemwo bantu 2 kuri imwe imwe,mugihe intara za Bujumbura na Buhumuza hakorewe amabi umuntu umwe ku ntara ku ntara.

| Intara | Incuro bahagaritswe | Igitigiri cahaga-ritswe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Bujumbura | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Burunga | 2 | 2 | 2 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 2 | 2 | 2 | 0 |
| Zose hamwe | 6 | 6 | 6 | 0 |

***Igicapu 9 : Ikigara cerekana abantu bahagaritswe hamwe n'abapfunzwe bidakurikije amategeko mu kiringo co kuva Rsama gushika Ruheshi 2026***



## *V.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO(Ibikurikira urupapuro 21)*

### *Uburorero buvyerekana:*

### *Abantu bahagaritswe n'abaporisi idakurikije amategeko*

***Ak1:*** *Kuva kuwa mbere igenekerezo rya 04Rusama 2026,uwitwa Séverin Bigirimana umwigisha wo kwishure nshingiro Nyabihunge muri komine Bururi mu ntara ya BURUNGA ari mw'ibohero ry'igiporisi muri iyo komine. Ku bwo amakuru twatororokanije mu muryango wiwe, uwo mugabo aba muri iyo karatiye , umunywanyi akomeye mu mugambwe SAHWANYA FRODEBU yagirizwa kuba yasuzuguye yongera atuka abanywanyi 3 b'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, batowe muri iyoo karatiye ariko arahakana ivyo bamwagiriza. Abo batowe bamutegetse gusaba ikigongwe ariko aranka kugisaba kubera ivyo bamwagiriza bitagira ishingiro. Bamwe bamwe mu baba muri iyo karatiye bavuga ko apfunzwe hadakurikijwe amategeko kubera umugambwe arimwo. Bemeza ko apfunzwe kubera yanse kwinjira mu mugambwe CNDD-FDD. Umuryango wiwe n'ababanyi basaba ko yorekurwa atagisabwe kugira asubire ku kazi.*

---

***Ak2:*** *Umugabo yitwa Claude, umukozi wa Banki ya Bancobu i Mwaro, yarapfungiwe muri komisariya y'igiporisi muri komine,Mwaro,iri Gatare, haheze indwi (kuwa mbere mu gitondo igenekerezo rya 15 Ruheshi 2026). Iryo pfungwa ryabaye inyuma y'ivyabaye hagati yiwe Uwayezu Claude,umunywanyi akomeye mu mugambwe uri ku butegetsi i Mwaro, mugihe bari mu bunywero bwo mw' ijoro ryo kuwa gatandatu igenekerezo rya 13 Ruheshi 2026.*

*Umuzi w'ayo matati uva ku kuntu Claude(umukozi wa Banki) yanse gukeza Uwayezu Claude, aherutse kuronka amabanga yo kurongora umuhari w'urwaruka rw'Imbonerakure bo mu mugambwe uri ku butegetsi muri zone ya Mwaro. Uwayezu akora kandi akazi ko kugendura amagara y'abantu muri komine Mwaro, icicaro arimwo kuva aho hatanguriye indinganizo y'intwaro nshasha y'igihugu,haciye umwaka.*

*Inkuru zatororokanijwe ahonyene,avuga ko Uwayezu Claude yashikirije ikirego ku nzego z' igiporisi, amwagiriza gukubagura indongozi ("yakubise urwego").Uwayezu yagirizwa gusomborotsa uwundi mu bigo vyo kwinezereza, yishimikije ko ari mu mugambwe uri ku butegetsi*


#### *V.1.3.2. UKO VYIFASHE MU MABOHERA MU BURUNDI*

Umuhari Iteka,mu cegeranyo cagenewe ibigo vy'amabohero,yerekana ko hagati ya Rusama na Ruheshi,habaye igabanuka ry'ibitigiri vy'abapfunzwe.Ariko,mu mabohero amwe amwe Ivyo vyerekana inguvu zakoreshejwe mukugabanura ibitigiri vy'abapfungwa. Ariko,mu mabohero amwe amwe, ibitigiri biracari umurengera.

| Amabohero | Ubushobozi | Rusama 2026 | Ruheshi 2026 |
|---|---|---|---|
| BUBANZA | 200 | 434 | 393 |
| BURURI | 250 | 305 | 261 |
| CMCL RUMONGE | 72 | 97 | 90 |
| CMCL RUYIGI | 72 | 50 | 44 |
| GITEGA | 400 | 1456 | 1327 |
| MPIMBA | 800 | 4230 | 4125 |
| MURAMVYA | 100 | 1063 | 827 |
| MUYINGA | 300 | 606 | 569 |
| NGOZI F | 250 | 199 | 206 |
| NGOZI H | 400 | 1841 | 1807 |
| RUMONGE | 800 | 1471 | 1481 |
| RUTANA | 350 | 448 | 418 |
| RUYIGI | 300 | 780 | 668 |
| **Yose hamwe** | **4294** | **12980** | **12216** |

### *V.1.3.2. UKO VYIFASHE MU MABOHERO MU BURUNDI (Ibikurikira urupapuro 22)*

***Igicapu ca10 : Ikigara cerekana ukugereranya kw'amabohero***




Ni nombwa gushima ako kigoro katanguye kwerekana umusaruro. Igabanuka ry'ibitigiri ry'aapfungwa ryabonetse cane mu busho bukurikira:

- ⇒ **Mpimba** : Hgabanutse abanyororo105 (Bavuye ku banyororo 4 230 gushika kuri4 125) ;
- ⇒ **Gitega** : Hgabanutse abanyororo129 (Bavuye kuri 1 456 gushika kuri1 327) ;
- ⇒ **Muramvya** : Hagabanutse abanyororo 236 (Bavuye kuri 1 063gushika kuri 827), aha niho abapfungwa baragabanutse cane ;
- ⇒ **Ruyigi** : Hagabanutse abapfungwa 112 (bava kuri780 gushika kuri668) ;
- ⇒ **Ngozi abagabo** :Hagabanutse abapfungwa 34 (bava kuri 1 841gushika kuri 1 807) ;
- ⇒ **Muyinga** : Hagabanutse abapfungwa 37 (bava kuri 606 gushika kuri 569).

Ku rundi ruhande,ababohero abiri ibitigiri vy'abapfungwa vyariyongeye gato: :


- ⇒ **Ngozi ,abagore** : hiyongeye ko abapfungwa7 (Bava kuri199 gushika kuri 206) ;
- ⇒ **Rumonge** : hiyongeyeko abanyororo10 (Bava kuri 1 471 bashika kuri 1 481).

**NB:** Ivyo bitigiri vyerekana neza ibitigiri vy'abarekuwe kw'ibohero rimwe rimwe cane cane ko hari abarekurwa n'abinjira bashasha ,gusa baremeza ko abarekuwe babaye benshi gusumba abinjira.

*V.1.3.2. UKO VYIFASHE MU MABOHERO MU BURUNDI (Ibikurikira urupapuro 23)*

***Igicapo 11 : Ikigara cerekana urupimo rw'urugezo abapfungwa barimwo mu busho butandukanye***

| Amabohero | Rusama2026 | Ruheshi2026 | Impinduka z'urupimo kuva muri Rusama gushika Ruheshi2026 |
|---|---|---|---|
| BUBANZA | 217,00% | 196,50% | **-20,50%** |
| BURURI | 122,00% | 104,40% | **-17,60%** |
| CMCL RUMONGE | 134,72% | 125,00% | **-9,72%** |
| CMCL RUYIGI | 69,44% | 61,11% | **-8,33%** |
| GITEGA | 364,00% | 331,75% | **-32,25%** |
| MPIMBA | 528,75% | 515,63% | **-13,12%** |
| MURAMVYA | 1063,00% | 827,00% | **-236,00%** |
| MUYINGA | 202,00% | 189,67% | **-12,33%** |
| NGOZI F | 79,60% | 82,40% | **2,80%** |
| NGOZI H | 460,25% | 451,75% | **-8,50%** |
| RUMONGE | 183,88% | 185,13% | **1,25%** |
| RUTANA | 128,00% | 119,43% | **-8,57%** |
| RUYIGI | 260,00% | 222,67% | **-37,33%** |




Ibiharuro vyerekana igabanuka muri rusangi rw'igipimo abapfungwa barimwo mu bigo ry'amabohero,vyavuye ku bipimo 302,28 % muri Rusama2026 gushika ku bipimo 284,49 % muri Ruheshi 2026, ibihurirana n'igabanuka ry' ibipimo bingana 17,79 %.

Ivyo bipimo vyerekana igabanuka rito ry'ibitigiri vy'abapfungwa,naho ibitigiri bikiri hejuru mu busho butari buke. Naho hari iryo gabanuka muri rusangi,ikibazo c'ubwinshi kiracari kinini mu busho bwinshi. Mu busho burimwo umurengera w'abapfungwa muri Ruhenshi 2026,twovuga:

⇒ ***Muramvya****, hariyo abanyororo827 ku bushobozi bw'ibibanza 100,incuro 8 z'ubushobozi bw'ibohero;*

⇒ ***Mpimba****, abanyororo4125 ku bushobozi bw'ibibanza 800*

⇒ ***Ngozi abagabo****, abanyororo1 807 ku bibanza bingana 650 ;*

⇒ ***Gitega****, abanyororo 1 327 ku bibanza 400 ;*

⇒ ***Rumonge****, abanyororo 1 481 ku bibanza 800 .*

## *V.2. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw'ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na politike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise .*

## *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI.*

Hagati ya Rusama na Ruheshi mu Burundi, ubutunzi bwakozwe ko n'ibihe vyo kuwa 11 na 13 Ruheshi 2026, vyaranzwe n'ibirori vy'amasengesho yo kwibuka uwahoze ari umukuru w'igihugu Nkurunziza ku kibuga Agasaka. Ariko,ivyo bihe vyatumye icuka aho abanyagihugu batagira amikoro akwiye,benshi batari mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD,bategetswe guterera ku gahato. Abayobozi b'amashure,abarongoye ivyigwa n'abigisha bategerezwa gutaha 15 000, 5 000 na 2 000 frbu.Abagore badandaza ivyamwa kw'isoko ya Ngozi barashikirije akababaro kabo ku mahera yoyongereye kurin ayo masengesho. Mu gihe umusi wa mbere vyagenze neza,Imbonerakure zahatira abantu guhagarika imirimo. Abaporisi bategetse ibikomeye,bugara inzu z'ubudandarizo hamwe n'amasoko gushika isaha cumi na zibiri z'umugoroba. Umunsi wa nyuma,imyigaragamvyo yagiye ahabona,berekana akababaro kubwo intererano z'agahotoro hamwe n'uruhombo. I Muyinga,umunyamabanga wa CNDD-FDD muri komine yakomeje guhamagarira guterera,vyiyongera ku mahera bategerezwa kuriha ku kwezi yo guterera urwubako rw'amazu z'umugambwe. Ibintunkandi vyarasubiye inyuma i Muramvya, aho ibiciro vy' ibifungurwa vyaduze,naho hari itegekonshikiranganji ryasohotse ryerekeye ibiciro.

Abarimyi b'i Matana n'i Bururi mu ntara ya Burunga bari mu kangaratete,kubwo ikena ry'ifumbire. Naho barishe imbere mu bushikiranganji,indongozi zamenyesheje ko ububiko bwaheze mu gihe c'irima ca C,mugihe atafumbire nshasha itegekanywa.Umushikiraanganji wa mbere yaremeye ingorane zavuye kw'iduga ry'abasaba ifumbire hamwe n'ingorane zijanye n'ukwinjiza ibikoresho. Naho ivyiyumviro vyo gutanga igisata cahaririweho,nta kintu na kimwe kiboneka cakozwe, bisiga abarimyi mu makenga ku mwimbu hamwe n'ubukene bwo mu karere.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

Muri Rusama na Ruheshi,igisata c'indero mu Burundi bwarahungabanye cane,bituma haheba ishure abanyeshure barenga 3 400 , muri bo harimwo abigeme1 513 ,mu Rumonge. Ukwo guheba amashure biva ahanini ku bukene,ku ngorane z'ishure,ku ndwara hamwe n'inda zitipfujwe zatwawe n'abigeme bangana 80. Ivyo bintu bigira ingaruka ku mwimbu ku banyeshure. Impande y'inkengera z'ikiyaga ca Tanganyika, urwaruka rwinshi rutera ruja mu rudandazwa aho mu burovyi bashobora kuhakura ivyankenerwa. Abajejwe igisata c'indero basaba ubufasha bukmeye ku miryango y'amikoro make hanyuma bakarwanya ugutwara inda hataragera.

Reta itegekanya kuzana impinduka mu gisata c'indero mu mwaka w'ishure 2026-2027, igamije gutorera umuti ingorane ziri mu rurimi rw'igifaransa hamwe no guhinyanyura ivyo guhugura abigisha.Ukurimbura kwarashize ahabona kandi igarukagaruka ririmwo igipfungu mu vyigwa bimwe bimwe.Umwaka w'shure uzogaruka mu mwaka w'ishure 2027-2028,n'umugambi wo kugarukana amashure y'uburaro ku banyeshure bo mu mwaka w'indwi hamwe no gusubira gufungurira abanyeshure bo muri Kaminuza y'Uburundi.Amashirahamwe y'abigisha barashima utwo twigoro.

Muri Rusama,umunyeshure wo mu myaka 7, Jean de Dieu, yarirukanywe kw'ishure rya Sagesse Kabere kubera ama-bi,ingingo yafashwe nk'indezarugero kubwo umuryango wiwe. Ku rundi ruhande,abanyeshure bategerejwe kuja mu bikorwa vyateguwe n'umugambwe CNDD-FDD,ibitera amakenga menshi mu bavyeyi ku vyerekeye ugutakaza umwanya w'ivyigwa. Uguterwa ubwoba hamwe no kwirukanwa mu bihe vyo gukora ikibazo mu gihe batoja gukora

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO (Ibikurikira urupapuro 25)*

ivyo bikorwa rusangi. Ubwanyuma,abanyeshure b'i Muramvya bategerezwa bose kuza bazanye ibihunda hamwe no gukora mu bipimo vy'ikawa atari ivy'ishure ariko ahubwo vy' umugambwe uri ku butegetsi,bigatuma haba ikibazo cuguhagarika ibikorwa vy'ishure aho kuja mu bikorwa vya poritike hagati mu gihugu mu gisata c'indero.

### *V.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

Mu gisata c'amagara y'abantu,Uburundi bwarahuye n'ihungabana rikomeye mu kiringo c'iki cegeranyo. Kuva mu mpera za Ndamukiza 2026,INdwara 2 zitaramenyekana zaramenyeshejwe ku bitaro vya Kigutu yo muri komine ya Rumonge, mu ntara ya Burunga, ifise ibimenyetso vy'ukumeneka umutwe no kuva umwuna,naho basesanguzi batemeje ayo makuru. Kuwa 8 Rusama,umuganga arongoye ibitaro vy'akarere, pr, Dr Jérémie Niyonkuru, yemeje ko ubushikranganji bw'amagara y'abantu butegura kugira amatohora.

Ku rundi ruhande,ikomine ya Karuzi yo mu ntara ya Gitega yarakenye cane imiti,ituma abarwayi bategerezwa kuja kwigurira imiti mu nzu z'ubudandariza bw'abigenga,bigatuma gutyo kuronka ubuvuzi wo ku buntu ritagishoboka ku bagore bibugenze n'abana bakiri bato. Ibitaro bifise ingorane ry'ikena ry'ibikoresho ,abakozi ,uguhembwa intica ntikize,afise ibibazo,bamwe ntibaronse agashahara haciye amezi mwenshi.

Mu kiringo c'iki cegeranyo, mu Rumonge, amakenga aguma aba menshi kuvyerekeye indwara ya Ebola ku mvo y' irwirirana ry'abarwayi mu gihugu ca Kongo.Ikivuko ca Rumonge,inzira nkuru yo kwinjirana mu gihugu,utuzu two gushiramwo ukwabo abanduye ntatuhari,bituma gutyo abakozi bahakwa kwandura. Naho habaye ubugenduzi mu gisata c'amagara ya bantu,ntatangazo na rimwe riturutse hejuru ryatanzwe kugira bagabanye ubwoba, Musitanteri wa komine Rumonge, Augustin Minani, yateguye inama kugira akomezeingingo zo gucunga inzira zose zinjra mu gihugu,mu kwugara inzira ntonto zose hamwe no kwururukiriza ingenzi ku kivuko. Ariko,ivyo bikorwa ntivyashoboye kuremesha abakozi,basavye gushira ho ikigo kivura cisunze amategeko ya OMS kugira bakinge ico kiza.

## *VI. UGUSOZERA*

Uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi, muri Rusama no muri Ruheshi 2026,kerekana nk'ibindi biringo ,amabi abandanya akorwa. Umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe arerekana ibiziga vyatowe,abapfunzwe hadakurikije amakenga,ukuborezwa igufa, hamwe no kunyuruzwa hamwe no kuburwa irengero,vyerekana gutyo,ihungabana rikora ku burenganzira nshingiro.,ibitigiri c'abantu bapfunzwe biracari hejuru. Ivyo vyerekana poritike ryigungirako kugira bakuremwo abo batavuga rumwe muri poritike hamwe n'uburenganzira bwo gushikiriza ikiri ku mutima bubangamiwe cane n'isuzumwa ry'ibimenyeshamakuru. Uburenganzira bw' umukenyezi n'abana nabo bwahuye kandi n'amabi harimwo amabi afatiye ku gitsina ku bana ku rugero ruteye ubwoba. Umuhari Iteka uhamagarira Reta kwikubita agashi hamwe n'abo bakorana ngo bubahirize agateka ka zina muntu hamwe n'impinduka zihutirwa. Ico kiringo cerekana amabi abandanya hamwe n'itituka mu bisata bitandukanye. Birakenewe gutangura ibikorwa biri ku murongo hamwe n'ibiyago bidakumira ku rwego rw'igihugu mu ntumbero yo gukomeza gukingira agateka ka zina muntu.

*Uwo uri wese ubahirizwa*